
# Dukingire ikiyaga Cohoha n'ibibanza bigikikije ku neza yacu n'iy'urunganwe rwa kazoza:

**Association pour la Restauration et l'Enrichissement de l'Environnement au Burundi (ASREEBU)**
**Bujumbura, Burundi, Novembre 2025**

## Duhagurukire rimwe turwanye ibinyabuzima bikomoka mu mahanga, bihonya ubwoko bw'ibinyabuzima kavukire, bikabangamira uburimyi, ubworozi n'uburovyi




*Aho ikiyaga Cohoha giherereye*

Ikiyaga Cohoha, giherereye mu ntara ya Butanyerera mu buraruko bw'u Burundi. Ni ubutunzi kama ngirakamaro ku bantu baba mu micungararo yaco, haba ku bijanye n'ubutunzi canke ibidukikije.

Umwimbu w'ibiyaga vyo mu Burundi n'ibinyabuzima bihabarizwa biri mu kaga kubera ukugwirirana kw'ibimera vy'ivyaduka bitabana n'ibindi binyabuzima, nk'ivyo mu mazi (**Jacinthe d'eau**) n'ivyo ku musozi nk'**umuhengerihengeri** benshi bita « **Mavyi ya kuku** » wibonekeza cane ku nkengera z'ikiyaga Cohoha.




Ivyo bimera mvamahanga birahungabanya cane ibice bikikije amazi n'ibice vy'amazi vy'ikiyaga cohoha, bigateza ingorane ku bimera n'ibikoko bihasanzwe, bikagira n'ingaruka mbi ku buzima bw'abantu baba ku nkengera z'ico kiyaga.



**Umuhengerihengeri (Mavyi ya kuku)**

### Ingaruka z'ibinyabuzima mvamahanga bitabana n'ibindi

- Birandagata ningoga, Birabuza ibinyazbuzima kavukire guhema no gukura neza



*Jacinthe d'eau*

- Biratanguranwa n'ibinyabuzima kavukire bikabizinga
- Bironona ibibanza kama bikabangamira umwimbu w'uburimyi n'uburobyi
- Birabangamira uburyo urusobe rw'ibinyabuzima bumeze

### Ubuhinga bwo gutuza ibinyabuzima mvamakungu bitabana n'ibindi

- Uburyo bwo gukoresha amaboko canke ibikoresho mukurandura ivyo biterwa vy'umubano mubi





- Uburyo bwo kugenzura kenshi ahamaze guterwa n'ibinyabuzima mvamakungu vy'umubano mubi no kurwanya ico cose cotuma bivogera mu turere
- Gukoresha ivyo binyabuzima mu buryo bufise akamaro

- Uburyo bwo gusubiza ibidukikije uko vyahoze mu kugwiza ibimera kama no gukingira isi





*Association pour la Restauration et l'Enrichissement de l'Environnement au Burundi (ASREEBU)*
**B.P. 460 Bujumbura, tel. (257) 222231**

Belgium partner in development
Point Focal National Belge pour l'Initiative Taxonomique Mondiale
CEBioS
museum